LIGUE BURUNDAISE DES DROITS DE L'HOMME " ITEKA "


Uwo uri wese ubahirizwa

# BULLETIN HEBDOMADAIRE

# "Iteka n'Ijambo"

## N°529 Co kuva kuwa 01 gushika kuwa 07 Ruheshi

Ryemejwe n'itegeka nshikiranganji nomero530/0273 yo kuwa 10 Munyonyo 1994, risubiramwo itegeko n°550/029 ryo kuwa 6 Ruhuhuma1991






***Mukwibuka umupfasoni Mariya Korodeta Kwizera, umunyabigega w'ishirahamwe Iteka , yabuzwe irengero kuwa 10 Kigarama 2015. Kuva Kigarama 2015 gushika kuwa 07 Ruheshi 2026, abantu bashika 871 babuzwe irengero nibo ishirahamwe Iteka ryamenyeshejwe, ni imiburiburi 87 barasubiye kuboneka abandi 784 ntibigeze basubira kuboneka. Umugwi w'igikorwa c'ishirahamwe ry'ibihugu vyunze ubumwe ku kuburwa irengero waramaze kumenyesha Reta y'uBurundi n'imiburiburi abashika 252 babuzwe irengero[1].***

**Umuhari ITEKA :**

- « Ni umunywanyi w'ishirahamwe mpuzabihugu ryo muri Afirika vyegwa n'agateka ka zina muntu,ni umunywanyi akorana n'urunani mpuzamakungu rw'amashirahamwe aharanira agateka ka zina muntu (FIDH),
- Rifise akaranga ko kwihweza imbere y'umurwi wa Afirika uharanira agateka ka zina muntu kuri nomero ivyerekana OBS.236 kandi ni umunywanyi wa ECOSOC ».
- Umuhari teka ugizwe n'inani mpuzamashirahamwe 17 hamwe n'ibisata 32 .

**<u>IBIRIMWO</u>**

*0. INTANGAMARARA......5*

*I. UMWIHWEZO......5*

*II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE......8*

*III. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA......12*

*IV. UBURENGANZIRA KU MIGWI......12*

*V. UGUSOZERA N'IBISABWA......13*

# IKARATA Y'INTWARO MU BURUNDI

***INDINGANIZO NSHASHA Y'INTWARO MU BURUNDI KUVA KUWA 16 NTWARANTE***



# *SIGLES ET ABREVIATIONS*

**CDS:**Ikigo c'ubuvuzi

**CIP :** Ikigo cigishirizwamwo abaporisi

**CNDD-FDD :** *Ihuriro ry'igihugu riharanira gukingira intwaro rusangi-urwego rukingira intwaro rusangi*

**DCE:Ubuyobozi bw'indero muri komine**

**DH : Agateka ka zina muntu**

**FDD :** *Urwego rukingira intwaro rusangi*

**FDNB:Igisirikare c'uBurundi**

**OPJ:Inyamiramabi**

**PNB:**Igipolisi c'igihugu c'uBurundi

# URUTONDE RW'IBIRIMWO


0. INTANGAMARARA........................................................................................................5

I. UMWIHWEZO............................................................................................................5

I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE ......................................................................................5

I.2. UMWIHWEZO W'INTWARO.........................................................................................5

I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE ....................................................................................7

I.4. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE ....................................................................................7

II. UBURENGANZIRA BW'ABANTU NO MURI POLITIKE ...................................................8

II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA .....................................................................................8

II.1.1.UBWICANYI BUTEGUYE .......................................................................................8

II.1.1.1.ABANTU BISHWE N'ABATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE .........................................................................................................................8

II.1.2.UKUNYURUZWA N'UKUBURWA IRENGERO.........................................................10

II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAKUBAGURWA............................................. .10

II.2.1. AMABI YO MU MAZU...........................................................................................10

II.3. UBURENGANZIRA BW'UMWIDEGEMVYO ..................................................................11

II.3.1. UGUHAGARIKWA BICIYE KUBIRI N'AMATEGEKO....................................................11

III. UBURENGANZIRA KU MIBANO,UBUTUNZI N'IMICO KAMA.........................................12

III.1. UBURENGANZIRA KU NDERO...................................................................................12

IV. UBURENGANZIRA KU MIGWI...................................................................................12

IV.1. UBURENGANZIRA BW'ABANA...................................................................................12

V. UGUSOZERA N'IBISABWA.......................................................................................13

# *0. INTANGAMARARA*

Iki cegeranyo cerekana inyifato y'agateka ka zina muntu mu Burundi mu ndwi yo ku wa 01-7Ruheshi 2025.Muri iki cegeranyo, umuhari Iteka urihweza kandi nk' ivya politike,intwaro n'ubutungane.Urihweza uburorero bw'amabi akorerwa abantu no muri politike,hamwe n'uburenganzira ku mibano,ubutunzi n'imibano vyo muri iyi ndwi.

Ihonyangwa ry'agateka ka zina muntu umuhari iteka werekanye rigizwe: N'imiburiburi n'abantu 8 bishwe, harimwo ibiziga 4 vyatowe n'abantu 2 bakorewe amabi yo munzu,umuntu 1 yanyurujwe n'1 yahagaritswe biciye kubiri n'amategeko.

Abikekwako ayo mabi ni abo mu ntwaro,abapolisi hamwe n'urwaruka rw' Imbonerakure z' umugambwe uri ku butegetsi CNDD-FDD.

# *I. UMWIHWEZO*

## *I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE*

### Amanama ameze nk'umwiyamamazo w'amatora imbere y'igihe mu makomine ya Bukinanyana, Cibitoke na Mugina, intara Bujumbura

Kuva muri Rusama 2026, vyaribonekeje ko mu ma komine ya Bukinanyana, Cibitoke na Mugina amanama y'urutavanako aguma ategurwa n' umugambwe uri ku butegetsi,agasakisaki igihe c' ibikorwa rusangi.Abahaba benshi,ntibashaka kuja mu manama atandukanye akoreshwa n'uwo mugambwe,harashizweho umukenyuro wo kwikika ku makoraniro aba mugihe c'ivyo bikorwa.Abanyagihugu benshi,cane cane ko hari ishengero ry'abayoboke wo ku musi w'indwi,bafats umusi wa gatandatu nk' akaruhuko, bahitamwo kuja mu bikorwa vya bose bitunganijwe ku wa mbere no ku wakane.Gutyo,iyo misi ihinduka iyo abantu benshi bashobora kubijamwo. Umugambwe CNDD-FDD ubitomborezamwo kugira utunganye inama zawo imbere n'inyuma y'ibikorwa rusangi. Mugihe ayo makoraniro yabaye ingendo ya misi yose kandi asa n'oyo bategerezwa,abahitamwo kutayajamwo baragabishwa,bakagirizwa ko batavugarumwe na Reta canke ko bashigikiye Agathon Rwasa, n'ibindi babagiriza.Ku Rundi ruhande, umugambwe uri ku butegetsi uranikika mu kiza gihe c'ukugandara mu mihana nk'akanya keza ko kwiyamamaza,hasigaye ikiringo kiri musi y'umwaka ngo habe amatora y'umukuru w'igihugu muri 2027.

Mu bice vyinshi n'ama karatiye,hari umugenzo wo gushigikirana aho batoza uburyo baha imiryango yabuze,aho intererano kenshi na kenshi intererano ari amahera 500 ku muhana.Ariko rero,kubwo isoko riva mu mugambwe CNDD-FDD,vyaribonekeje ko benshi mu banyagihugu ubu banka gushigikira umugambwe muvyo uburyo ata gahato.Gutyo,iciyumviro co gutegeka incuro zibiri izo ntererano ku miryango yabuze caravutse.

Hamaze gutozwa uburyo n'abantu kenshi bari mu ntwaro canke muri CNDD-FDD,ubwo bugaburwa mu bice 2 bingana :igice kimwe mu ntwaro,ikindi c' umugambwe.Mu gihe co gushikiriza iyo ntererano, uwuserukira umugambwe aboneraho akaryo kugira atere intege abaje bazotore CNDD-FDD.Abanyagihugu, baserukiwe mu mice yose itandukanye,haba aba CNDD-FDD canke abanywanyi b'umugambwe utavuga rumwe na Reta,bariyamiriza iryo terabwoba hamwe n'intererano z'agahotoro, banasaba kubahiriza umwanya w'ikintu cose.

## *I.1. UMWIHWEZO WA POLITIKE* *(Ibikurikira urupapuro 5)*

### ***Umwiherero w'umugambwe CNDD-FDD muri komine ya Cankuzo mu ntara ya Buhumuza.***

Ubuserukizi bw'umugambwe CNDD-FDD mu ntara ya Buhumuza, burongowe n' umushingantahe Gérard BARUTWANAYO, bwaratunganije igikorwa c'umwiherero ku barongozi bo mu ntwaro mu ntara,urimwo abakora kwa buramatari,abayobozi mu ntara, hamwe n'abarongoye ubuzi mu ntara. Ico gikorwa cabereye ku murwa mukuru w'intara ya Buhumuza,mu nyubakwa y'amakoraniro bita Ruvubu Lodge. Intumbero y'uwo mwiherero yari iyo gutororokanya hamwe no gusuzuma ingorane zishobora konona itsinzi y'100 % y'umugambwe CNDD-FDD mu matora y'umukuru w'igihugu ategekanijwe mu 2027.

Abawitavye barahaririye ku makenga atandukanye ajanye n'ibisata vy' intwaro, vy'iterambere ry'imibano n' ubutunzi hamwe n'ukubaho neza kw' abenegihugu. Vyongeye,barashizeho imikenyuro hamwe n'ibisabwa bigamije gukomeza ubutunzi bw' umugambwe mu kwigora bishura bibereye ivyo abenegihugu biteze. Umwiherero wabereye mu cuka c'ibiyago vyubaka hamwe n'ukwiyumvira umukenyuro, n'ishaka rikomeye ku bawitavye ryo gukora bimwe biboneka kugira intumbero umugambwe wihaye ku bihe vy' amatora yimirije.

## *I.2. UMWIHWEZO W'INTWARO*

Abanyagihugu bo mu gisagara ca Ruyigi barashikiriza akababaro kabo kw'itozwa ry'uburyo rikorwa n'urwaruka ruhurikiye mu mugambwe uri ku butegetsi, CNDD-FDD.Amahera yatojwe gutyo agenewe gukoreshwa mugihe co kwibuka urupfu rw'umukuru w'igihugu Petero Nkurunziza.

Umuryango wose utegerezwa gutanga amahera angana na 2 000fbu ku barimyi hamwe na 5 000 ku bakozi ba Reta. Abahaba bafata ko hariho intumbero zinyegeje inyuma y'iryo tozwa,kubera atacemezo na kimwe gitangwa cerekana ko amahera yatanzwe,bishobora gutuma uburyo bunyuruzwa.Vyongeye,iryo tozwa rikorwa mu banywanyi b'umugambwe CNDD-FDD no mu batari muri wo,bikazana impari mu kibano.

Uwo uri wese ubahirizwa

## *I.3. UMWIHWEZO W'UBUTUNGANE*

### Aka mwana wa mama mu gikorwa co gutanga ubuzi mu bushikiranganji bw' ubutungane

Kuwa 29 Rusama 2026, Alfred Ahingejeje, umushikiranganji w'ubutungane n'agateka ka zina muntu,yarashize umukono ku « kamo gahamagaza abashaka akazi k'ubucamanza »mu ntumbero z'uko ubushikiranganji butegekanije guha ubuzi abantu 1055 mu ma sentare no muri parake.Hamaze gukwiragiza iryo hamagazwa,inzego z'umugambwe CNDD-FDD mu gihugu cose,ku nzego zose (intara,komine na zone),babifashanije n' umugwi w'igihugu witaho urwaruka,baratororokanije amazina y' abakeneye ubuzi (kuri zone imwe imwe) bazotangwa n'umugambwe kugira baje mu bibanza vy'ubwo bushikiranganji.Umuyabaga afise impamyabushobozi mu mategeko,ari mu mugambwe uri ku butegetsi twaganiriye,aranegura ico gikorwa.Kuvyo abona,ugukwirikiza urutonde rw'ababikwiye canke babfise ubumenyi gusumba abandi, bifatiye ku vyavuye mu kibazo co kubatora, vyobaye nyamukuru mu kubatora,bivanye n'igitigiri kinini c'iabize amategeko muri kino gihe batagira akazi.Yaranashikirije ko,n'aho bashigikiwe n'umugambwe,waba umunywanyi wa CNDD-FDD canke utabawe, abazoronka akazi bazotegerezwa gutanga igiturire mu mugambwe.Mugihe hoba ari uguhabwa ubuzi bwa Reta babanje kuyishigikira muri politike,bazanye neza na neza aka mwana wa mama canke mpinga yanje.Ivyo si bishasha kuva CNDD-FDD ishika ku butegetsi.Naho bitama imisi yose bihonyanga vyibonekeza uburenganzira ntayegayezwa bimwe vy'umwihariko, birahagarika intumbero y'ibwirizwashingiro yo kunganisha kuri bose imbere y'akazi ka Reta bikanabera intambamyi uburenganzira bungana ku buzi bwa Reta,busaba ko itangwa ry'akazi rikorwa hisunzwe ubushobozi n'ubumenyi gusa.

## *II.1.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA*

### *II.1.UBWICANYI BUTEGUYE*

### *II.1.1.1. ABANTU BISHWE N'ABATARAMENYEKANA CANKE IBIZIGA VYATOWE .*

**Abantu 4 bishwe muri komine n'intara ya Gitega**

Amakuru yashikiriye umuhari Iteka ivuga ko hagati yo kuwa 31 Rusama n'uwambere Ruheshi 2026, abanru 4 bishwe mu misi 2 ikurikirana ku mutumbaMurago, zone Maramvya, komine n'intara ya Gitega.

Kubwo abantu b'aho,uwishwe ubwambere, umudandaza w'umworozi azwi kw'izina rya Gaspard Ngendakumana, yararashwe mw'ijoro ryo ku musi w'imana kuwa 31Rusama 2026, hafi igihe c'isaha 4,mugihe yari atashe muhira. Kuva kuri uwo musi,abamwishe ntibaramenyekana.

Bamaze kumva iryo bara,abanyagihugu baho baratororokanye mugatondo ko kumusi wa mbere igenekerezo rya 1 Ruheshi 2026 baca barafata abantu 3 bikekwa ubwo bwicanyi.Abikekwa,bazwi nka Aaron Yamuremye, Pasteur Nininahazwe (batazira Kizimya) na Éric Ntakarutimana, barakubiswe n'abanyagihugu gushika aho bacikana imbere y'uko i gipolisi kihashika.

Buramatari w'intara ya Gitega,arikumwe n'abandi barongozi mu ntwaro n'abajejwe umutekano,yarahishikiye.Abarongozi baraneguye bivuye inyuma ibikorwa vyo kwihanira bongera bamenyesha ko amatohoza atanguye kugira haboneke umuco wose ku bwicanyi bukwirikirana.

Ku rundi ruhande,ababa ngaho bamenyesha ko bigoye kugwanya ukwihanira,mugihe abicanyi,iyo bahagaritswe,kenshi baca barekurwa inyuma y'akanya gato.

Abanyagihugu basaba ko ubutungane bwokora budahengamye kandi abicanyi bagahanwa hakurikijwe amategeko.

**Ibiziga bibiri vyatowe muri komine Rutana, intara Burunga**

Kuwa 2 Ruheshi 2026,ibiziga 2 vyaratowe mu ruzi Malagarazi,mu micungararo y'uruzi Ruvyagira, ku mutumba Gihofi,komine Rutana, intara ya Burunga.

Amakuru yatororokanijweho avuga ko ari abahaba batoye ibiziga bireremba ku ruzi,Bamaze gutaka abarongozi baho,nabo baciye bahamagara igisata ca Croix-Rouge y'i Bukemba kugira barobe ivyo biziga.

Abanyagihugu baho baridogera kubona abarongozi baciye bihutira guhamba ivyo biziga,ata matohoza yuguruwe kugira hamenyekane abo bagabo hongere hamenyekane n'icatumye bicwa.

## *II.1. UBURENGANZIRA KU BUZIMA(Ibikurikira urupapuro 8)*

### Ikiziga catowe muri komine Nyanza-Lac mu ntara ya Burunga

Mw'ijoro ryo kuwa gatatu,igenekerezo rya 3 Ruheshi 2026,umugabo azwi kw'izina rya Jean-Claude Ndayishimiye, w'imyaka 26 yatowe yapfuye mu nzu y'ubudandarizo iri muri karatiye Bogorwa ,muri zone Nyanza, muri komine Nyanza-Lac, mu ntara Burunga.

Ku bwo amakuru twatororokanije aho nyene,ivyo vyoba vyabaye hagati ya satatu n'igice n'isaha zine z'ijoro. Uwo yapfuye,yamara ijoro ryose muri urwo rudandazwa rwa muramuwe,yoba yariyugaraniye mu nzu imbere yo kumutora ari ikiziga.l

Ayo makuru yemezwa na Albert Bihangwa,indongozi yo mu ntwaroo zo hasi.

Amasoko yahoamenyesha ko abakozi bo muri PNB na FDNB barashitse aho hantu kugira bashobore gufasha kwugurura iyo nzu y'idandarizo. Yugaye. Inyuma yo kwugurura iyo nzu,indongozi zoba zarabonye urwo rupfu.Inyamiramabi hamwe n'umuganga barahishikiye kugira birabire ivyabaye hanyuma batangure intambuko za mbere zo gukoa amatohoza. Ikiziga cajanywe mu buruhukiro bw'ibitaro vy'i Nyanza-Lac mukurindira ibiva mu bipimo hamwe n'amatohoza.

Gushika aho,imvo nyazo z'urwo ntiziratangazwa ku mugaragaro. Indongozi zihamagarira kwiyubara bkandi zigasaba kurwanya kwibwira hakiriri kare imvo imbere yo kumenya ivyavuye mu matohoza.

Ni ibintu vyibutsa izindi mpfu yateye amakenga muri komine ya Bururi. Aya mezi ya nyuma,impfu nyinshi zibonekeje mu bihe bidasanzwe mu burere butandukanye bw'i Bururi hamwe no mu zindi ntara vyatumye hasabwa gukowa amatohoza yimbitse kugira hamenyekane imvo nyazo z'izo mpfu. Amashirahamwe akurikirana ivy'agateka ka zina muntu yama yashimangiye ku kamaro k'amatohoza y' abaganga akwirikije amategeko hamwe n'ay' ubutungane kugira bakureho amadidane hagati yo kwiyahura,isanganya canke ubwicanyi.

Ababa i Nyanza-Lac barindiriye kumenyeshwa ku mugaragaro ikizova mu matohoza afasha gutanga umuco kumvo z'urwo rupfu

### Ikiziga catowe muri komine Cankuzo mu ntara ya Buhumuza

Hafi y'isaha zitandatu z'umutaga,kuwa 22 Rusama 2026,ikiziga ca Simon Ndacasaba catowe mumwonga wo ku mutumba Busoro , komine Cankuzo, mu ntara ya Buhumuza. Ku bwo amakuru yaho,uwo yapfuye buca biba yari yamaze ijoro ryose mu bunywero bwo kuri uyo mutumba.

Ivyabonetse ubwa mbere ni uko yarafise igikomere c'akanogo ku rubavu rw'ibubamfu rw'uwo muhisi. Ku bwo intahe zatororokanijwe ahonyene,ubwo bwicanyi bwoba bujanye n'imigenzo y'ibintazi . Ukwemera ibintazi vyaho bituma vyumvikana ko igitambo c'amaraso y'umuntu vyoba bituma hatorwa kandi hamwe no gucukura ubutare bwinshi. Ariko,umutumba vyegeranye Nyarunazi urimwo ikirindiro co gucukura ubutare. Naho abantu benshi bakekwa kuba bari muri ubwo bwicanyi,nka Jean Bigirimana na Emmanuel Nyarusage,amasoko yaho amenyeshako,gushika ubu,batigeze bakurikiranwa n'indongozi z' ubutungane.

### *II.1.2. UKUNYURUZWA NO KUBURWA IRENGERO*

**Umusirikare yanyurujwe muri komine Mugere yo mu ntara ya Bujumbura**

Kuwa 5 Ruheshi 2026,umusirikare azwi kw' i zina rya Bizimana Gérard yaranyurujwe ku Musaga,muri komine Mugere, mu ntara ya Bujumbura.

Ku bwo icabona cari kihari,yarikumwe n' umuntu yitwa Cedric kandi bariko bafungura mu bunywero bw'uwahoze ari umushingamateka Lewis. Ni ho ingendeshwa yo mu bwoko double cabine ifise ibiyo bitabona yashika aho bari. Abantu 2 bambaye impuzu za gisirikare barurutse,bafata Bizimana Gérard hanyuma bamwuriza ku nguvu iyo ngendeshwa,mu nyuma yaciye igenda.

Kuva ivyo bibaye,nta muntu numwe azi aho yoba apfungiwe ndetse nico yoba yarabaye. Umuryango wiwe urarajwe ishinga n'umutekano wiwe ,mu gihe abamunyuruje bafatwa ko ari abakorera Reta bambaye umwambaro w'akazi.

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MUVYIYUMVIRO*

### *II.2.1. AMABI YO MUNZU*

**Ukuborezwa ingufa mu muryango wo muri komine Karusi mu ntara ya Gitega**

Mw'ijoro ryo ku wa kane,igenekerezo rya 4 gushika ku wa gatanu igenekerezo rya 5 z'ukwezi kwa Ruheshi,hafi y'isaha zitanu z'ijoro,imvururu zo mumuryango zikomeye zaradutse muri karatiye Nyarurambi, ku mutumba na zone Buhiga, muri komine Karusi, mu ntara ya Gitega. Uwuhaba yitwa Nteturuye,w'imyaka irenga 40,yatashe muhira iwe yaborewe hanyuma atangura gushwana n'umugore wiwe, Ancile Kecuru, w'imyaka irenga 35.

Mu gihe umuhungu wabo mukuru, Onésiphore Ntinteretse, umufundi w'amamoto w'imyaka 18,yashitse aho vyabereye,se wiwe atangura gutuka umugore wiwe, amawagiriza ,ibintu bidafise ifatiro,ko afitaniye imigenderanire y'ubuhumbu n'umuhungu wabo. Naho ubwa mbere uyo muhungu yahoze, Nteturuye yabandanije atuka umugore wiwe.Ibintu vyafashe iyindi sura igihe umugabo yafata imbugita agakomeretsa umugore wiwe ku kuboko kw'ibubamfu.Umuhungu rero yaciye aza gutabara kugira arwanire nyina wiwe,mu kurwana.

Kubera iyo ntambara,inakuru hamwe n'uwuvuhana n'uwo yatanguje intambara barageragеje kubanguranya. Mu myanya wo kurwana,bose uko muri 2 barakomeretse bukebuke ku ntoke n'uwo musore ariko agerageza kubabanguranya. Se wabo mu nyuma yaciye atabaza abanywanyi b'imiggwi y'imbonerakure, baca bahagariko uwo musore hanyuma bamujana mu gasho k'igiporisi muri zone Buhiga, aho yaraye ijoro ryose.Aje kuramutsa umuhungu wiwe mu gasho bukeye bwaho mu gatondo.Ancile Kecuru yashinze intahe ko umugabo wiwe anywa urumogi kandi ko anywa cane inzoga minsi yose.Ku ruhande rwiwe,kugira ntafatwe, Nteturuye yemeje ko yarwaye ko yakubiswe cane n' umugore n' umuhungu wiwe. Amasoko yaho amenyesha ariko ko atagikomeye nakimwe kiboneka kandi amagara yiwe yifashe neza. Uwo musore ,nawe,n'ubu aracari mu gasho.

**Umugore yibungenze yakubiswe hanyuma imbanyi irakoroka muri komine Karusi, intara ya Gitega**

Mw'ijoro ryo ku musi wa kane igenekerezo rya 4 Ruheshi 2026,hafi isaha 5 z' ijoro,ku mutumba na zone Buhiga,komine Karusi ,intara ya Gitega, umugore akiri muto yitwa Divine, afise imyaka 20 , yarakubiswe n'uwo bubakanye yitwa Niyogushima afise imyaka 35 abanje kumwugaranira mu kazu k'ubudandarizo.Muri izo nryane, umubanyi Mvuyekure afise imyaka 40 yagerageje kuhashika . Uwo mukenyezi akiri muto rero yakumubise yivuye inyuma ingumu 4 yongera amutegeka kutivanga mu vyabo.Kuri iyo nyifato, Mvuyekure yaramusubije mu kumukubita ingumu nyinshi mu ruhanga.

Kubera gukubitwa bikomeye,uwo yararavye.Uwo bubakanye ,Niyogushima, yaramutwaye ubwonyene ku kigo c'ubuvuzi i Buhiga. Kubera yari aremvye cane,yaciye yongera arungikwa ku bitaro vy'iBuhiga, hanyuma ku bitaro vya Cinquantenaire vy'iKarusi. Uguhungabana vyatumye hakoroka imbanyi

## *II.2. UBURENGANZIRA BWO KUDAHOHOTERWA KU MUBIRI NO MUVYIYUMVIRO (Ibikurikira urupapuro10)*

yiwe ubwonyene,mugihe yari yibungenze iy'amezi atatu.Inyuma y'ivyo niho, Mvuyekure yahagarikwa ku musi wa gatanu mu gitondo. Bukeye bwaho,ku musi wa gatandatu igenekerezo rya 6Ruheshi 2026, hafi igihe c'isaha 3, abapolisi 2 barafashe na Niyogushima, uwo bubakanye n'uwagize ivyago.Abo bagabo 2 baracapfungiwe muri ako gasho.

## *II.3. UBURENGANZIRA BWO KWIDEGEMVYA*

### *II.3.1. UGUHAGARIKWA BIDAREKUWE N'AMATEGEKO*

**Umukozi wo mu gikoni yahagaritswe hanyuma arapfungwa muri komineBururi mu ntara yaBurunga**

Ferdinand Nivyabandi, w'imyaka 38 kandi ajejwe igikoni muri komisariya y'igiporisi i Bururi, amaze amezi atatu mu gasho k' igiporisi. Amasoko yaho amenyesha ko yahagaritswe mu mpera z'ukwezi kwa Ruhuhuma 2026. Yagirizwa kwiba ibikoresho vyo mu gikoni vyakoreshwa aho hambere mu guteka imfungurwa z'abaporisi,ariko bitagikoreshwa.

Ku ruhande rwabo,amasoko yo mu giporisi yemeza ko ihagarikwa ryiwe ryakozwe kumvo z'amatohoza. Urubanza rwiwe ubu ruri mu minwe y'inyamiramabi Vasco. Indongozi mu giporisi,nka colonel w'igiporisi Venant Barumbanze, umukomiseri mukuru w' amakomine ya Bururi na Matana, hamwe na colonel w'igipolice Ladislas (umukomiseri w' igiporisi ajejwe ubutungane muri ayo makomine nyene), bemezako yapfunzwe icamaso kugira bikunde gushira ahabona ivyo vyabaye.

Ferdinand Nivyabandi yahavuye arekurwa kuwa 2 Ruheshi 2026,inyuma y'amezi arenga 3 apafungiwe mw'ibohero y'igiporisi c'i Bururi. Umunsi nyene yarekurwa,yaciye akurwa adategujwe na colonel w'igipolice Jean-Claude Hakizimana, arongoye ikigo c'inyigisho mu giporisi (CIP) i Bururi, aho yakorera akazi kiwe. Kubw'ivyo Ferdinand yashikirije, uwo mu colonel yoba yamubwiye: « Genda ukore iwawe». Abonye ko yarenganijwe,uwo mukozi akorera ku masezerano y'igiporisi yamesheje ko ategura kwitwara mu butungane vuba.

Uwo uri wese ubahirizwa

# III. UBURENGANZIRA KU BUTUNZI,IMIBANO N'IMICO KAMA

## III.1. UBURENGANZIRA KU NDERO

**Abanyeshure barenga3400 bahevye ishure muri komine Rumonge mu ntara ya** Burunga

Muri komine Rumonge, abanyeshure 3 493 bahevye ishure baraharuwe mu kiringo c'ibice bibiri vya mbere mu mwaka w'ishure 2025-2026, ku bwo ibiharuro vyo mu biro vy'indero muri komine (DCE).

Mu banyeshure bahevye ishure,hafi 1 513 ni abigeme. Indongozi zo mu gisata c'indero bashikiriza ko ukwo guheba amashure biva ku mvo nyinshi,nk'ubukene bwugarije imiryango myinshi,ukuyoberwa mu mashure,indwara hamwe n'inda zitipfujwe.

Ibiharuro bimenyesha ko abigeme 80 bahevye kubera gutwara inda. Ku bwo amasoko yo mu giporisi,ibikekwa gutera izo nda kenshi baragoye kumenyekana. Bamwe mu batwaye inda barakekeranaya mukukuvuga ababateye inda,bigatuma bigorana kubitwarira mu butungane.

Ku bwo indongozi mu gisata c' indero,abanyeshure benshi bariyandikisha kandi bagatonda mu ntango z'umwaka,ariko bagenda baheba bukebuke ukwo amezi ahera. Ivyo bituma hunyuka ubumenyi buke bwibonekeza muri komine. Rumonge iri mu burere buronka amanota mabi mu bibazo vya Reta. Aho iyo komine iherereye,ku nkengera z'ikiyaga Tanganyika, biratuma vyoroha guheba amashure. Bakwerwa no kurondera ubutunzi vyihuse,urwaruka rumwe ruhitamwo kujq mu rudandazwa,kuja kurondera akazi mu bihugu bibanyi canke bakaja mu buzi bwo kuroba mu kiyaga .

Kubw'ivyo, abarabwa n'igisata c'indero basaba guhimiriza indongozi,abavyeyi hamwe n' abafasha igista c'indero kugira barwanye imvo nyamukuri zituma abana baheba amashure. Babona hokwongerwa inguvu mugufasha imiryango itishoboye,gukinga gutwara inda hakiri kare hamwe no kugumuza abana kw'ishure.

# IV. UBURENGANZIRA BW'IMIGWI

## IV.1. UBURENGANZIRA BW'UMWANA

**Umwana yakomerekejwe na muka se muri komine Musongati yo mu ntara ya Burunga**

Kuw 29 Rusama 2026,ku mutumba Muzye, muri komine Musongati, mu ntara ya Burunga , Dieudonné Bukeyeneza, w'imyaka 6 ,yarakubiswe kandi arakomeretswa n'umupanga ku rubavu rw'iburyo na mukase, Espérance Ciza.

Ku bwo amasoko yaho, Dieudonné n'abo bavukana 2 barabuze nyina wabo abavyara. Inyuma y'urwo rupfu,se wabo yarongoye uwundi mugore yitwa Espérance Ciza. Uwo mugore yama akubagura abana,abakubita kandi akababuza kuja kw'ishure. Ni muri iyo ntumbero y'amabi yisubiriza,mw'ijoro ryo kuwa 29 Rusama 2026,uwo mugore yaturubika uwo mwana hanyuma amukomeretsa akoresheje umupanga.

Ku bwo ayo masoko nyene,kuwa 5 Ruheshi 2026, Espérance Ciza yarahagaritswe hanyuma ajanwa mu gasho k'igiporisi. Iryo hagarikwa ryakunze kubera ubufasha bw'indongozi zo mu ntwaro nka Batururimi,umukuru w'umutumba Muzye , uwurongoye ikirindiro c' igiporisi,abajejwe gukingira agateka k'umwana hamwe n'ababanyi b'uwo yagirizwa gukora iryo bara.

## *IV.1. UBURENGANZIRA BW'ABANTU(Ibikurikira urupapuro 12)*

### Inyigisho za gisirikare mu bana mu Kirundo, intara ya Butanyerera

Inkuru yashikiriye umuhari Iteka kuwa 7 Ruheshi 2026 ishikiriza ko imihingo myinshi y'ikomine ya Kirundo,ibikorwa vyo guhugura bijanye n'ugutambura gisirikare vyategekanijwe incuro 3 mundwi.Ivyo bikorwa bigenzurwa n'indongozi zaho mu mugambwe CNDD-FDD hamwe n'abahoze ari abasirikare basubijwe mu buzima busanzwe bavuye mu mugwi w'abarwanyi ba FDD.Kubwo amasoko yaho,abavyitaba bararonka inyigisho bita « inyigisho z'akarangamutima » (inyigisho z'imico yo gukunda igihugu canke akaranga).

Intumbero z'azo nyigisho za gisirikare ni ugutera ubwoba abo badasangiye ivyiyumviro vya politike.Muri izo nyigisho,zitangwa ku birindiro bitandukanye, urwaruka rurerekana inkomezi muguca mu mirwa mikuru hamwe n'imirwa y'ubudandaji iherereye aho babikorera.Abana barenga 200 kuri buri zone barashizwe muri izo nyigisho,bakababa bose hamwe abana 4000 muri komine Kirundo.Ivyo vyerekana bitera ingorane zikomeye :abana benshi bata umwanya nyawo bokoreshejwe mu ndero yabo,mugihe abandi berekana inyifato yo kutubaha abavyeyi babo.Kazoza hamwe n'ibizoba kuri abo bana biguma biteye amakenga cane muri iki gihe.

## *V. UGUSOZERA N'IBISABWA*

Umuhari Iteka uranegura wivuye inyuma itituka ry'agateka ka zina muntu ribandanya kwibonekeza mu Burundi kandi uriyamiriza kudahana abakoze amabi.Uhamagarira abatwara Uburundi gufata ingingo zose zishoboka kandi usaba ibi bikurikira:

***Kuri Reta y'uburundi:***

1.Gukora amatowoza y'ubutungane adahengamye kandi yigenga intambwe kuyindi iyo hatowe ibiziga,kugira hamenyekane abishwe hongere hamenyekane icatumye bicwa n'ingene bishwe.

2.Guha uburenganzira imiryango yabuze bwo kwitura ubutungane hamwe no kuronswa ivyegeranyo vy'igipimo kiraba icatumye uwabo apfa,imbere yo gushingura uwabo

3.Gukora amatohoza yimbitse kwitorwa ry'ibiziga riguma ryibonekeza mu mihingo itandukanye y'igihugu,kugira bavavanure n'ukuba sindabinezwe ku batware bongere bakore ibikorwa biboneka Reta idakora gushika ubu.

4.Gushira mu ngiro ingingo zikabije zo kurandurana n'imizi ukudahana gukikuje ubwo bwicanyi,hamwe no gushengeza imbere y'ubutungane bwuzuriza bose abagirizwa ihonyanga ry'agateka ka zina muntu.